Itangazo ry'Umurwi Wigenga w'Igihugu ujejwe Agateka ka Zina Muntu ku bijanye n'agateka ka zina muntu imbere y'amatora y'ibihumbi 2015

Kuva hatangura imyiyerekano yahamagawe n'imigambwe imwe imwe, hamwe n'amashirahamwe yigenga amwe amwe kugira biyamirize ko umukuru w'igihugu ahari ubu asubira kwitoza ; aho hari kw'igenekerezo rya 26 Ndamukiza uyu mwaka,

Agateka ka zina muntu karatitutse bimwe biboneka, ico bivako hakaba harimwo ugukoresha igikenye mu guharanira inyungu za politike.

Igikenye rero kikaba carakoreshejwe mu buryo bwinshi harimwo ukunigana kwabaye hagati y'abari mu myiyerekano hamwe n'abajejwe umutekano, canke hagati y'urwaruka ruhurikiye mu migambwe inyuranye, kuzibira amabarabara mu mpande zimwe zimwe z'igihugu, na cane cane mu gisagara ca Bujumbura , kubuza abantu kuja iyo bipfuza , bikaba vyazanye iyugarwa ry'amashure amwe amwe hamwe n'imirimo imwe imwe , guturira amazu n'imiduga , guhohotera abantu , mbere bamwe bagahava bakomereka cane canke bakahasiga ubuzima .

Igikorwa c'ukugerageza gutembagaza ubutegetsi cabaye kw'igenekerezo rya 13 Rusama uyu mwaka, kikaba cajanye kandi n'ugusambura amaradiyo yigenga amwe amwe, ivyo vyose vyaratumye agateka ka zina muntu gasinzikara kurusha mu gihugu.

Ugufata abagomvye gutembagaza ubutegetsi hamwe n'abakoze ivyaha mu gihe bari mu myiyerekano ; kuba abantu benshi baravuye aho bahora baba bakaja kwikinga mu zindi ntara canke mu bindi bihugu ; ibikorwa vy'uguhungabanya umutekano harimwo ugutera amagrenades n'ugukanga abantu bikaba biri mu vyakomeje bikurikira imyiyerekano n'ukugomba gutembagaza ubutegetsi.

Uburenganzira bw'ukwubahirizwa mu buzima bwabo, mu magara yabo, mungo zabo ; uburenganzira bw'ukuja iyo umuntu ashaka, bw'ugushikiriza ico yipfuza ; uburenganzira bujanye n'ugushikiriza amakuru ; ukugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu ; uburenganzira bw'ukwiga ; ayo yose akaba ari amateka yasinzikajwe cane muri ibi bihe.

Umurwi w'Igihugu Wigenga Ujejwe Kwubahiriza Agateka ka Zina Muntu urabona ko ivyo vyose biriko biba bifatiye ahanini ku mpari zikomeje kuba hagati y'abanyepolitike.

Umurwi Wigenga CNIDH waratohoje ibiriko biraba mu kuja ku rubuga, kugendura amabohero, kwumviriza abapfungwa, ivyabona n'abandi kugira wumve agaciro woha amakuru, ibirego hamwe n'ivyitwazo vyawushikiriye.

Ufatiye kuri ayo matohoza, uyo Murwi warabonanye n'abarongozi mu ntwaro, mu butungane no mu nzego z'umutekano, hamwe rero n'abasanzwe bafashanya n'uyo murwi kugira bafashe gutorera inyishu ivyo bibazo, harimwo mu bijanye n'ubutungane.

Gurtyo uyo Murwi ukaba warafashije gukingira abantu mu buzima bwabo, mu vy'ubutungane, mu magara yabo, ivyo bigafasha abakorewe ikibi kwitabwaho bikwiye.

Umugwi CNIDH urashima ingingo y'Umukuru w'igihugu y'ukurekura abana bose bafatiwe mu myiyerekano. Ugasaba abajejwe ubutungane gushira iyo ngingo mu ngiro bikwiye.

Umurwi Ujejwe Agateka ka Zina Muntu urakomeza gukurikiranira hafi ukugene abafashwe bagirizwa kugomba gutembagaza ubutegetsi bafashwe kugira urabe ko agateka kabo nk'abanyororo kubahirijwe kandi ko bapfunzwe mu buryo runtu.

Ufatiye kuvyo wabonye kandi vyemejwe n'abagirizwa ico caha c'ukugerageza gutembagaza ubutegetsi wagiye urabona ubasanze aho bapfungiwe, umurwi CNIDH ntiwabonye ko abo bantu boba barahohotewe canke ngo bafatwe nabi. Ahubwo cane cane igiteye umwitwarariko abo bapfungwa ni uko batararengukishwa imbere y'intahe kugira bashobore kwiregura kuvyo bagirizwa.

Umurwi CNIDH ukaba usavye abajejwe ubutungane ko bofata ingingo zotuma imanza zijanye n'imyiyerekano hamwe n'ukugerageza gutembagaza ubutegetsi zitera imbere.

Umurwi CNIDH urasubiye kwemeza ko ushigikiye ubwigenge bw'ibimenyashamakuru hamwe n'uburenganzira bw'ukwumva amakuru n'ukuyamenyesha ; ukaba uhimiriza abo vyega bose kugira ngo bafate ingingo zose zishoboka kugirango amaradiyo na television vyasambuwe bishobore gusubira kumenyesha amakuru mu buryo buhumuriza kandi bwubaka.

Umurwi CNIDH uringinze abajejwe intwaro kugira ngo bageragezе barabe ko boza barakoresha umutima w'ugutahura, ukubabarira n'ugucira ngufi abantu basanzwe baharanira agateka ka zina muntu boba bafashe ingendo iteye kuburi n'ububasha bwa Leta.

Ku rundi ruhande naho, umurwi CNIDH uringinze abaharanira agateka ka zina muntu kugira mu vyo bakora bame bitwararika kwubahiriza neza imbibe zishingwa n'amategeko agenga igihugu hamwe n'amashirahamwe yabo, kandi bakirinda guhengamira ku mpande, ku nyungu canke ku karesho k'abanyepolitike aba canke bariya.

Abaharanira inyungu za politike, umurwi CNIDH ubahanuye ko na ntaryo boshira imbere ukwigumya, ukwihanganira abandi, ukuganira n'ukuja inama n'abo batavuga rumwe mu gihe bariko barondera gukemura ibibazo ivyo arivyo vyose, kandi babandanye ibiganiro nk'uko bari babitanguye.

Umurwi CNIDH urahamagariye abanyagihugu bose gukomeza ingendo y'ukwigumya n'ukwihanganira abandi ; maze bakirinda gukoresha igikenye mu guharanira ivyo bipfuza ;

Umugwi Wigenga W'Igihugu Ujejwe Agateka ka Zina Muntu cnidh uramenyesheje abantu bose ko ubandanya gukurukirana ibintu biri mu gihugu kandi ko uzokurikirana ivyo vyose vyohungabanya agateka ka zina muntu mu bihe vy'amatora.

Murakoze.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 28 Ruheshi 2015

Jean-Baptiste BARIBONEKEZA

Umukuru w'Umurwi